**CONFERENCE**
**DES EVEQUES CATHOLIQUES**
**DU BURUNDI**

## IMISA YO KUWA 02 MUKAKARO 2024 : UKWINJIRA IKIGO C.N.O.P.R.

*Ibisomwa : 2Cor 5, 17-21*
*Ps 129*
*Mt 5, 20-26*

Bavukanyi mwese dukoraniye ngaha, iki kigo turamutse twinjira icese mu guhezagira aka gasengero n'inzu y'amanama twacise "***Oasis de Paix et de Réconciliation***" mu kirundi twovuga.......

Ekleziya y'i Burundi ifatiye ku vyo uburundi bwagiye buracamwo n'ingene abarundi cane cane abakristu twabibayemwo nkuko vyari mu gisabisho co gusabira inama y'umuryango wa Diyosezi yacu:"***Turavye ingene twafutanije igihugu cacu, abantu bakicwa abandi bakangazwa ipfuvyi n'abapfakazi bakabura uwo bitura..... ibidukikije bikahahonera...***"

Abungere bacu baratunganije inama y'umuryango wa diyoseze ishimikiye kuri iki civugo : "***duhinduke twijukire kurekuriranira no gusubiza hamwe".*** Iyo nama yarondera ingene ukwemera kwomurikira abakristu mu buzima bwabo bwabo haba mu kibano canke mu mirimo no mu migenderanire ya misi yose kandi irondere ineza y'Uburundi n'abarundi bose.

Izo nama zarashize ahabona amamo n'amamuko y'indyane zashikiye uburundi mu myaka iheze n'agatima k'amacakubiri, akarenganyo, ugukumirana n'ukwigungirako,zirahava ziraraba ingene twovavanura n'ako kahise mu guhinduka tukagatumbera inzira yo kurekuriranira, gusubiza hamwe no kuremesha amahoro.

Ijambo ry'Imana twashimye kuzirikana riduhamagrira kwuzurizanya no gusubiza hamwe.

Paulo mweranda mu gisomwa ca mbere aratubwiye ko umuntu wese ni yaba ari muri kristu ni ikiremwa gishasha. Ni ukuvuga ko ashobora kuvavanura n'ivyiyumviro vya sekibi: amacakubiri, urwanko, ishari ukwihora, n'ibindi kugira basubize hamwe na bene wabo, buzurizanye nk'uko Imana yatwujurije nayo muri Yezu Kristu. Yaraturekuriye ibicumuro vyacu,ngo tubone no kuba abatumwa buzuriza abantu n'Imana tumaze kwuzurizanya natwe : "***Uturekurire ibicumuro vyacu nk'uko natwe turekurira abatugiriye nabi***" nk'uko tubivuga mu gisabisho ca Dawe wa twese.

Mu Nkuru Nziza Yezu Kristu aratubwiye ko ari ngombwa gusubiza hamwe n'uwo dushize kubiri, n'uwo tutumvikana kugira dushobore kurengukana imbere y'Imana amashikanwa yacu ahandiho "***Umukama ntayashima***" Yezu abivuga afatiye kw'ibwiriza ryo kutica "***Ntiwice***" ritubuza kugirira ishavu mwene wacu mu kumutuka, kumuturubika , kumuhohotera canke kumwita umusazi.

Inyigisho yo kurekuriranira no gusubiza hamwe, Ekleziya yagiye iyigarukako muri iyi myaka nkuko tubibona nyandiko z'abapapa Yohani Paulo wa Kabiri, Benedigito wa XVI, na Papa Fransisko aha nokwibutsa :

- **Inyigisho y'**Umweranda Papa Yohani wa II yerekeye ukurekuriranira no gusubiza hamwebe no kwihana mu butumwa bw'Ekleziya bw'aya mango (Roma kuwa 0/3/1984)

- Inyigisho ya Papa Benedicto wa XVI yerekeye ubutumwa bw'Ekleziya muri **Africa mu kumenyesha ukurekuriranira n'ugusubiza hamwe, ubutungane n'amahoro** (Ouidah, Benin kuwa 19/11/20211)

- Inyigisho ya Papa Fransisko **"Inyonga z'ikigongwe c'Imana" yatangaza muri Ekleziya umwaka w'ikigongwe c'Imana Roma ku wa 11/4/2015**

Izo nyigisho zo kurekuriranira hamwe no kuremesha amahoro zirakenewe kuri twebwe abarundi kuko twaracanyemwo ku buryo intambara twaciyemwo zasize ibikomere ku mutima no ku mubiri (abaciwe amaboko canke amaguru, ubumuga bazogendana ubuzima bwabo bwose) abantu bakeneye gukira biciye mu kuvugana ivyabaye mu kuri no mu rukundo, bamurikiwe n'ijambo ry'Imana ngo abantu babone kurekuriranira. Iki kigo twaciyumviriye mu ntumbero yo gutanga intererano y'Ekleziya mu nzira yo kwubaka Uburundi burangwamwo umuvukano n'amahoro.

Iki kigo kizotunganya inyigisho ku barundi bose mu mirwi itandukanye bigishwe uruhara rwabo mu butumwa bwo kurekuriranira, gusubiza hamwe no kuremesha amahoro dushingiye ku kuri, urukundo n'ubutungane.

- Abasaserdoti barafise ubutumwa bwo kwuzuriza abantu n'Imana mw'isakramentu ry'ikigongwe ; ni ubutumwa buhambaye boshiramwo urukundo, umwete n'ubwira babe imboneza muri yo ngendo yo kurekurekuriranira, gusubiza hamwe no kuremesha amahoro

- Abihebeyimana ko ubuzima bwabo busanzwe ari ikimenyetso kiranga ubwami bw'ijuru ngaha kw'isi n'ingene tuzobaho tumaze kuva ngaha kw'isi birumvikana ko bari mu bambere botanga kandi bagakomeza izo nyigisho.

- Abakristu balayike mu mirwi yabo itandukanye: incabwenge zirimwo abanyapolitike, intwazagabo, abacamanza, abamenyesha makuru, abaganga, abajejwe ubutunzi, abadandaza bakurubakuru; umwe umwe wese amenyeko uruhara rwiwe ari ntasubirizwa muri uwo mugambi.Karahara mu ruganda ntibacura.

Tuzoha ikibanza n'ingo n'imiryango hamwe n'urwaruka naho bisanga muri iyo mirwi narindondaguye.

Urugo rukristu rube ishure ryo gusubiza hamwe no kurekuriranira nkuko tubivuga muri ca gisabisho c'umwaka wa Yubile "***iyogi ry'urukundo n'umwumvikano ribibwamwo Ijambo ry'Imana, ukuri n'ukurekuriranira***".

Urwaruka ruronke indero nziza kuva haziko irwerekeza ku muvukano udakumira kandi utavangura, ntihagire abavyeyi babiba urwanko n'amacakubiri mu mitima y'abana babo. Abarundi twese twijukire ingendo yo kuganira kuri kahise kacu turondera ukuri n'ubutungane bunywanisha, ingendo yo gusubiza hamwe no kuremesha amahoro mu ngo, mu kibano, mu gihugu, mu karere kacu no kw'isi yose.

Umukama adakaza ishavu aturekurire amabi yose abarundi twagiriraniye kuko twemeye gutumbera inzira yo guhinduka mu kurekuriranira no mu gusubiza hamwe kandi agume aturongora mu nzira y'ubutungane n'amahoro.

+Bonaventure NAHIMANA
Archevêque de Gitega
et Président de la CECAB